
Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Umuntu W’umuriro

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Vyose vyari bimeze nabi muri Isirayeli. Umwami n’umwamikazi baranka Imana. Mbega akarorero kabi! Vuba, n’abantu nabo nyene baca batangura kwanka Imana baca basenga ibigirwamana. Hoba hari umuntu agikunda Imana? Ego, hari hasigaye abantu bake




bake bakunda Imana bakayi-senga. Umusi umwe Imana ivugana n’umwe muri abo, uwitwa Eliya.




Eliya abwira umwami w'inkozi y'ikibi ahabu ati: "Uhoraho ni muzima, ntamvura canke urume bizorwa uyu mwaka, ndabivuze." Ivyo vyasigura ko hagiye kuba amapfa! Imana ntiyashobora kureka abantu bayo ngo babandanye kuba mubukozi bw'ikibi.

3



Amaze kubimenyesha umwami, Imana ica irungika Eliya mukibanza gitekanye. Aho, kunkenegera y'umwonga, Eliya niho yarorerereye. Imana yarungika ibikona kugira bimugaburire. Vyamuzanira umukate n'inyama mugatondo no k'umugoroba. Kandi Eliya yanywa amazi yo kuri uwo mugezi.


4



Haheze igihe, wamugezi urakama, kuko atamvura yari ikirwa muri ako karere. Ijambo Imana yari yavuze rirashika. Igihugu cose kibura amazi. Ntan'ivyatsi vyari bikimera. Abantu bari bishwe n'inzara. Eliya nawenyene atangura kwibaza ingene agiye kubaho kuko amazi yose yari yarakamye.

5

Imana ibarira Eliya iti: "Haguruka, ugende izarefati abe ariho uguma. Nategetse umupfakazi ngo akugaburire." Imana yari izi ivyo umukozi wayo akeneye.



Ariko mbega uburyo butangaje bwo kwishura kuri iki kibazo ca Eliya. Yicishije bugufi, Eliya yarumviye Imana. Amaze gushika izarefati, nyamupfakazi yari kw'irembo ry'igisagara ariko atoragura udukwi two gucana.

6




Ndagusavye: "Genda undondererere amazi yo kunywa", Eliya abwira nyamupfakazi. "Uce unzanira n'agatsima mfungure." Wa mupfakazi aramwishura ati: "nta mutsima mfise", "nsigaranye urushi rw'agafu n'utuvuta dukeyi".

Ababaye cane, wa mugore abarira Eliya ko hamwe utwo afise twohera, be n'umwana wiwe boca bicwa n'inzara.

7

Eliya aramwishura ati: "Ntutinye. Ntegurira agatsima gatoyi, hanyuma muce mwitegurira namwe mwe n'umwana wawe agatsima kiwanyu." "Ifu ntizosubira guhera hamwe n'amavuta gushika igihe Uhoraho azosubira kurekurira imvura kw'isi." Imana yari igira ikore igitangaza kubera ivyo. Ica irabikora! Umupfakazi n'umuhungu wiwe bararonse ivyo barya, ifu n'amavuta ntivyigera bihera.



8

Eliya aca abana nabo.  Umusi umwe, ikintu kibabaje kirashika.  Wa muhungu w'umupfakazi arapfa.  Eliya ajana umubiri wa nyamuhungu mucumba.  Yinginga Imana, aravuga ati "Uhoraho, mana yanje, ndagusavye impwemu y'uyu mwana imugarukemwo!" Mbega isengesho ryari rigoye!




9

Uhoraho yumvva ijwi rya Eliya maze impwemu y'uwo mwana iramugarukamwo, arazuka.  Eliya afata wamwana amuha nyina wiwe, nawe aravuga ati: "Ndamenye ko ijambo ry'Imana riva mukanwa kawe ari ukuri."




10

Haheze imyaka itatu, Imana irungika Eliya kuraba umwami, kandi ngo amubwire ati: "Nzorungika imvura kw'isi."




11

Kuja kuraba ahabu?  Umwamikazi wiwe yezebeli yari amaze kwica abavugishwa n'Imana amajana n'amajana. Ariko Eliya ntiyakekeranije.  Aca aragenda kuraba umwami Ahabu.




12

Aba bantu babiri bahuye, Eliya asaba ahabu gukoranya abisirayeli bose hamwe n'abavugishwa b'ibinyoma amajana umunani biwe. Mukibanza kimwe, k'umusozi Karumeli, Eliya abwira abantu bari aho ati: "Uhoraho niyaba ari Imana, mumukurikire!"




13

Eliya yari yateguye impfizi zibiri zo gutanga ibimazi.  Ariko ntamuriro bategura gukoresha. Eliya arababwira ati: "Ni muhamagare izina ry'imana zanyu, nanje ndahamagara izina ry'Uhoraho," "kandi Imana iza kutwishurisha umuriro iyo niyo iza kuba ari Imana nya mana."  Abantu barishura bati: "Ni vyiza."




14

Kuva mugatondo gushika k'umugoroba, abavugishwa b'ibinyoma bahamagara imana zabo. Baratamba, gushika n'aho bikebagurisha imbugita, ariko ntihagira umuriro uboneka.




15



Maze Eliya yuzuza amazi kunkwi no kubimazi, hanyuma arasenga ati: "Uhoraho, bimenyekane uyu musi ko ari wewe Mana ya Isirayeli". Maze umuriro w'Uhoraho uca uratibuka. Uturira igicaniro, inkwi n'amabuye yubatse igicaniro!


16

Abantu babonye ivyo, bavuza induru bati, "Uhoraho niwe Mana!" Eliya aca avuga ati: "Nimufate abo bavugishwa ba bayali ntihagire n'umwe abajana!" Eliya nawe aca akora ico umwami ahabu yari amaze gukora. Aca yica abo bavugishwa b'ibinyoma bose.



17

Maze umukozi w'Imana Eliya aca abarira umwami ahabu ko imvura igiye kurwa. Haca haza agacu gatoyi. Mbega iyo yoba yari imvura? Inyuma y'imyaka itatu imvura yataze?



18




Mumwanya muto, ijuru rica rizako ibicu vyirabura, n'umuyaga hanyuma haca harwa imvura nyishi. Imana ica irungika imvura. Imana yashaka kwereka abantu ko ivyo Eliya yababwiye ari ukuri. Imana yashaka kubereka ko ariyo yonyene ari Imana nya mana.

19



Mwibaza ko umwami ahabu yaciye yubaha Imana n'umukozi wayo Eliya? Oya! Ahubwo yezebeli yagerageje kwica Eliya, ariko aca arahunga. Impera n'imperuka, ahabu yarapfuye apfiriye muntambara, abakozi biwe nabo baca bakorora yezebeli bamukuye k'uruhome rurerure rw'ikirimba cabo aca arasanzara yikubise kw'ibuye ryari hasi.

20



Mbega Eliya yashikiwe n'iki? Umusi umwe Imana yarungitse umukogote w'intambara, uriko n'ibimuri vy'umuriro; maze Eliya, umuntu w'umuriro, aca aduganwa mw'ijuru mugihuhusi c'umuyaga.



Umuntu W'umuriro

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

1 Abami 17-19; 2 Abami 2

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

24 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16